**IJAMBO RISHIKIRIJWE NA NYENICUBAHIRO VARISITO NDAYISHIMIYE KU MUSI WO GUHIMBAZA IMYAKA 30 IHEZE ABARUNDI BITOREYE AMASEZERANO Y'UBUMWE BW'ABARUNDI**

1. **Imbere ya vyose tubanje gushimira Imana Mushoboravyose yo yatuzigamye, tukaba dushitse uno musi Ubumwe bw'Abarundi butakiri akarimi.**
   **Iyo Mana Nihabwe icubahiro, kuko inzira twaciyemwo ntiyari yoroshe.**

2. **Turipfurije umusi mukuru mwiza Abarundi bose, tuwuhimbaze mu kwigira inama yo kwunga ubumwe nya bumwe atari ubwo ku rurimi gusa ;**
   **Ubumwe bugaragarira mu rukundo no mu ngiro, cane cane mu gusangira ikivi n'ikigega.**

3. **Twashimye guhimbaza uwu musi mukuru twisunze icivugo kivuga kiti:**
   **«Ubumwe bw'ukuri bwungwa no gusangira ibikorwa n'umwimbu».**

**Ni muze rero dukorere hamwe, tugwize umwimbu, kuko dufise umwimbu mwinshi dusangira, ntitwosubira kwitana ibisambo.**

**Barundi benewacu,**

4. **Ubumwe bw'Abarundi turiko turibuka uyu musi, ntihagire uwujuragirika mu kwibwira ko bumaze imyaka 30.**
   **Ubumwe bw'Abarundi bumaze imyaka igihugu cacu kimaze citwa Uburundi.**
   **Kuva kera na rindi Uburundi bwamye ari igihugu cunze, kigizwe n'Abarundi basangiye vyose, bafise Ubumwe bw'intacika.**

5. **Uno musi mu guhimbaza ubumwe bw'Abarundi, ni ukugira twibuke ko haje ba gateranya, turasubiranamwo ; ni kugira kandi tuze turibuka n'ingaruka mbi vyatuzaniye kugira ngo twisuzume,**

**twicuze, twihane kugira iryo bara ntirigasubire mu gihugu cacu.**

6. **Duhimbaza uyu musi kandi kugira ngo twibuke umusi twisubirako mu 1991, inyuma y'imyaka irenga ibiri twari tumaze twisuzuma, turaba ingene twova mu ndyane zari zanyoshe Abarundi.**
   **Uyo musi w'igenekerezo rya 5 Ruhuhuma 1991 ni ho twafata ingingo yo gupfundika amasezerano y'ubumwe bwacu bwari bwarasambutse.**
   **Tuwibuka kandi kuko twabonye mu Burundi hakiriho abantu bagifise akarezareza, bakirota babona Abarundi basubiye kuryana, kugira tugume tubibutsa ingaruka z'amacakubiri, babone gucira imoso ako kabi, nabo bashobore kuvuga bati : « ntirigasubire, si je nohahera, hohera iyo mpwemu mbi iryanisha abavukana ».**

7. **None rero, benewacu, turyumeko kuko biragaragara ko ubumwe bw'Abarundi bwamyeho kuko imbere y'umuzo w'abanyamahanga, ntaho twigeze twumva canke ngo dusome mu vyanditswe ko hoba hari ahavugwa ko Ubumwe bw'abasokuru bwoba bwarigeze buhungabana.**

**Mu ntwaro, ntitwigeze twumva aho bagabangana uburongozi bafatiye ku bwoko kuko mu migenzo y'Uburundi, « Umutware atwarira bose, agatunganiriza bose ».**

**Ego hari ivyo twumvise.**

**Twarumvise ngo abo mu nda y'Ingoma basubiranyemwo ; ariko abo nabo baba bapfa ubutegetsi, ariko ntivyaca bikwega iyindi miryango ngo icanemwo.**

**None uno musi, abapfa ubutegetsi bama bashaka kubikwegeramwo n'abatipfuza kuba n'umukuru w'umutumba.**

**8. Kuri uyu musi, reka kabe akaryo rero ko kwibukanya mu majambo make ingene Ubumwe bw'Abarundi bwari bwifashe mu mateka y'Uburundi, imbere y'umuzo w'abanyamahanga :**

**a) Mu bijanye n'umutekano, ubumwe bw'Abarundi bwamye bwigaragaza iyo umwansi ateye igihugu. Naho yaba afise inkomezi zingana iki, uwuteye igihugu yagwanirizwa hamwe n'Abarundi bose, nta n'umwe yijijanya imitima canke ngo yidohore hageze kurwanira igihugu.**

**Ndetse no mu gihugu hagize uwumenja ku Mwami, yacibwa na bose, bakamucira umukenke, bakamuharira ivomo.**

**N'umusuma ari umusuma, ntiyava ku mutumba ngo ahungire ku wundi ; ikigeramiye umwe caba kigeramiye n'uwundi.**

**b) Mu vy'intwaro no mu mibano, Abarundi bose bari bungiwe ubumwe n'Umwami umwe, Sebarundi ; Imana imwe n'ukwemera kumwe, bakagira imico, imigenzo n'ururimi bose bahurirako.**

**Ivyo ni vyo vyerekana ko twese twari bene mugabo umwe.**

**c) Mu vyerekeye iterambere, umugenzo wo guhinda ikibiri cari kimwe mu bimenyetso vyerekana ugushira hamwe kw'Abarundi mu mibano yabo no mu kwiteza imbere mu kugwiza umwimbu.**

**Eka no mu vy'uburaro, nta muntu yifasha kwubaka inzu. Iyo hageze umwe wese yazana umuganda wiwe, akazana n'amaboko.**

d) Mu bijanye no gufatana mu nda, umwe agowe bose baba bahuye n'ivyago, na kare "**ntacica umukondo ngo gisige amara**".

Ni co gituma aho hambere hahise umuntu agize ivyago inka zigakubitwa n'inkuba, ababanyi baramuvyukiriza, mbere akaronka n'ibiruta ivyo yari afise ; inzu yasha bagashwabaduka bose kuzimya, mbere itokombeye bose bayubakira hamwe.

e) Muri iyo nzira yo gufatana mu nda nyene, Abarundi bari bazi ko agafuni kabagara Ubumwe ari akarenge : baragemuriranira, bagatererana, bakamariranira imanza ;

f) Mu bihe bimwe bimwe nko mu muryango wavutsemwo amahasa, ubushuri, canke ingundu, Abarundi barabanguka cane mu gushigikira umubanyi kugira ngo ntihagire uwubavamwo kubera umunanu.

Kanatsinda bavuga ko umwana atari uwumwe, umwana yari uw'Uburundi. Ni co gituma no mu nyifato, umwana yakurana indero ndundi koko.

**Indero, umwana yayifatira aho ageze, kuko uwukuze wese yari umuvyeyi.**

**Barundi, Barundikazi, Bakunzi b'Uburundi,**

**Umuntu yokwibaza ati : None vyagenze gute ngo Abarundi bacanemwo ?**

**9. Abakoroni bamaze gushika mu gihugu cacu ica mbere cabatanganje kandi baca barashangashigwa, ni urunani basanganye Abarundi rwo kugwaniriza hamwe umwansi, barabona ko batazobagonda bafise ubumwe nk'ubwo babasanganye.**

**10. Baratangajwe kandi no kubona ingene igihugu gitunganijwe mu ntwaro, mu mibano, mu butunzi, mu mico n'akaranga kandi bo bavuga ko baje kudushira ku murongo.**
**Ivyo ni vyo babonye nk'intambamyi zobabuza gushinga ubutegetsi bwabo, ni ko kurondera hasi hejuru inzira bocamwo kugira ngo bashike ku migambi yabo yo gucura bufuni na buhoro Abarundi, no kubanyaga ivyabo babona.**

**11. Ngo akica urugo karuva imbere ; baciye bakorana n'abagumutsi Kirima na Maconco bari bagararije Umwami Mwezi Gisabo, gushika aho babaha intara batwara mu ntumbero yo guca intege Umwami mu kumwaka ubutegetsi no gucamwo igihugu imice.**

**Gutyo baba baratituye iteka ry'umwami, mukaba muzi ko urugo rutagira umugabo atakitarukengera.**

**Itembagazwa burundi ry'umwami Sebarundi ryabaye neza na neza igihe bamuteje igikumu ku nguvu ku co bise amasezerano y'i Kiganda yo ku wa 6 Ruheshi 1903.**

**Gutyo, Umwami aba ahebeye ubutegetsi abanyamahanga tudasangiye imico n'imigenzo ; kuva ico gihe tuba twinjiye mu butegetsi butitaho ineza y'abenegihugu ; ata kindi kiburaza ishinga atari uko Abarundi bariko bararyana.**

**12. Ni ngaho batanguriye kuvangura Abarundi, bigisha ko atari bamwe, ko bamwe ari abansi b'abandi, ko badasa, ko hariho abaciye ubwenge kuruta abandi, ko hariho abaremewe gutegeka n'abaremewe gutegekwa no gukora; amateka n'amabanga Igihugu cari cubakiyeko barayasambura.**

**13. Kuva ico gihe intwaro yitaho ineza y'abenegihugu yari iciwe mu Burundi, vya vyiza vy'igihugu vyahora biduhuza tukabisangira twese, vyaciye biba ivy'abanyamahanga ; Umurundi aherewe ku rushi akavyita igiha Mana, abataronse nabo bikabatera inzigo.**

**Urwanko n'inzigo biba biratewe mu gihugu ; abanyamahanga baba bankishije Abarundi igihugu cabo uko.**

**14. Uburundi bumaze kwikukira, aho twosubiranye bwa bumwe bwacu, uwari kubunagura ari we umuganwa atari umugani Rudoviko RWAGASORE baciye bamugandagura bamusubiriza Abarundi bamaze kumira akabuye k'amacakubiri batamitswe na basesankuyoze.**

**Inararibonye mu gihugu aho zotanze akarorero mu gusanasana wa muhivu wunga Abarundi ahubwo bagumye begenyeza riho indyane mu bantu.**

**Abobaye abavyeyi b'igihugu ni bo baryanisha abenegihugu bafatiye ku macakubiri barazwe n'abakavantara.**

**Barundi benewacu,**

**15. Uburundi bwarapfunywe ariko ntibwapfuye, bwagiye buragwa buvyuka, Ubumwe ntibwagiye akagirire.**

**Naho twari twemeranije amasezerano y'ubumwe bwacu, nticabujije ko n'ubundi abagwanira ivyicaro badukwegera mu bugesera aho kuva mu 1993 Abarundi twasubiranyemwo, tutanazi ico dupfa.**

**Ariko mu nyuma, Abarundi bahavuye babona ikiruta ikindi, maze abanyepolitike bemera kwicara hamwe ngo basuzume bongere batorere umuti icanyoshe Abarundi mu bumwe bwabo.**

**Naho mu mitima yabo bari bubakiye ku macakubiri y'ubwoko, mbere bakitunganya mu migambwe bahagaze mu bwoko, umuti badutoreye i Arusha warafashije kugarukana ubumwe bw'Abarundi.**

**Ubwa mbere icari gikenewe kwari ugusubira kuronka Sebarundi adahagararira ubwoko, inzego z'umutekano zikingira bose, ubutungane butunganiriza bose.**

**None nimurabe, uno musi nta migambwe igihagaze ku bwoko, Abarundi ubu barabana badatinyana kanatsinda baramaze kumenya ko : « Bapfana iki barutwa na bamariraniye iki ».**

**Ndetse uno musi tuwuhimbaje dufise Reta mvyeyi, ikimenyetso c'umwizero ko bene Burundi batazosubira gucanamwo.**

**16. Uno musi ngira ngo nta n'umwe atabona ihinduka ridasanzwe mu mibano y'Abarundi. Ivyo ari vyo vyose, kiretse bamwe twita ibinani, umwe wese areze ku mutima, arabona ko ivyo arimye azobirya, inzu yubatse azoyibamwo.**

**Ikimenyetso kitabesha ni ihunguka ku bwinshi ry'Abarundi bari bataye baromoka, bata igihugu cabavyaye.**

**Uno musi ushitse twaragarutse kw'isoko ry'Ubumwe, tuzi igisumba ikindi ; ubu tukaba turiko turasibura inzira zari zarasivye, twirura n'imitima yahahamutse kubera ivyadushikiye.**

**Ibitari bike biramaze kurangurwa, ibindi biriko birakorwa mu ntumbero yo kuzitira ico cose cosubira guhungabanya Ubumwe bw'Abarundi.**

**17. Kugira ngo ubumwe twari twarabuze bugaruke twongere tububagarire ntibuze busubire guhungabana, si ikintu coroshe na cane cane ko abonse rimwe bakoraniye icaha kibishe, icaha c'amaraso.**

**Ariko ntihagire uwogira ubwoba, musubize umutima mu nda kuko hasubiza hamwe abacanyemwo, kandi hahaguruka uwari yicaye.**

**Ni co gituma turiko turunga ubwo bumwe tutibagira no gusanura imitima kugira ntitugume turi imbohe z'akahise kabi.**

**18. None birashoboka ko twibagira ako kahise kabi nk'uko amasezerano y'ubumwe abidutegereza? Jewe ndishuye nti: "ego cane birashoboka".**

**Ariko tumenye ko kwibagira mu kirundi bidasigura guhanagura mu mutima ngo tubifate nk'uko ako kabi katigeze kaba.**

**Kwibagira mvuga ni ugufata ko ibiba vyabaye ariko uwahuye n'ivyo vyago tukifatanya na we, tukamuremesha, tukongera tukamuha icizere ko bitazosubira.**

**Ivyo navyo nta handi biva atari uko indongozi mu gihugu zogendera ubuvyeyi koko, zikerekana ko abana b'igihugu ari abana b'igihugu koko ata n'umwe akumiriwe.**

**Abahuye n'ivyo vyago barasaba ko igihugu cemera koko ko bahuye n'ingorane kandi kikifatanya na bo mu kubaremesha.**

**Abahuye n'ivyo vyaha vy'akahise barashaka na bo gutekana bazi ko ababikoze bavavanuye n'ako gatima. Barakeneye kubona inzego z'igihugu zibizeza ko bitazosubira kuko ahanini ababikoze bakoresha inzego z'igihugu.**

**19. Ni co gituma Abarundi twahisemwo intwaro ya Demokarasi kugira ngo abenegihugu batwarwe n'indongozi bizeye kandi bitoreye.**

**Abarundi baratoye inzira yo gusubiza hamwe kugira umwe wese agire umwizero wa kazoza.**

**Ivyo bibonekera ku kugene bakirana umutima w'ikigongwe abahuye n'ivyago bose ndetse n'abari baranyazwe ivyabo bakabisubizwa ata guhotorana bigiyemwo.**

**Iyo ivyanyegejwe bigiye ahabona, Abarundi baranezera bariko babazanya bati : « Ubwo abo babikoze bari bakomeye mu mitwe yabo ? »**
**Ivyo binyereka ko umwe wese yicuza kandi akaba ariko ahanura abandi ngo ntirigasubire.**
**Murumva ko n'ivyo bibi vyakozwe biriko bija ahabona ari inkebuzo ikomeye.**
**Ni co gituma dushimira umugwi wo kumenya ukuri no gusubiza hamwe ku bwitonzi bariko barakorana, tukabasaba kubandanya muri iyo nzira birinda gukomeretsa abahuye n'ivyago. Dusaba n'Abarundi kureka gukekeza ababikoze kuko burya n'abo mwosanga atari bo ari ishetani yari yabiziziye.**
**Erega na bo baricuza.**

**20. Ubu turi mu gihe co gusubiza hamwe nk'abavukana. Mbega twobandanya twinubana ngo bitumarire iki ko urima inzigo ukinovora intuntu ?**
**Mu gihe tuba duhuje imitima n'inama, vyose tuvyakirira hamwe, tugaheza tukarima urukundo kandi ivyamwa vyiza bica biboneka.**
**Ni co gituma tubahimiriza uno musi gukorera hamwe kugira dusangire imizi y'iterambere.**

**Urunani mu makoperative ni icemezo kitabesha ko twagarutse ku karanga kugira ngo dutere imbere. Erega amakoperative, mu mvugo ndundi ntaho bitaniye n'ikibiri.**

**21. Muri make turavye, ivyo tumaze kwirangurira tutazeye inze ni vyinshi kubera twibereye mu bumwe n'amahoro. Ubu nta n'umwe atabona umurindi turiko mw'iterambere kubera dutekanye.**

**Birahimbaye cane kubona Abarundi bagarutse kuri ka karanga k'abasokuru mu kubana mu mahoro, mu guhana abageni, mu kugabiranira, mu gufashanya, mu guhana indaro, mu gukorera hamwe imigambi yo kwiteza imbere no guteza imbere igihugu, n'ibindi,…**

**Barundi, Barundikazi, Bakunzi b'Uburundi,**

**22. Imbere yo gusozera twashaka tubatekerere impanuro zituma ubumwe bwacu butsimbatara:**

**Ubwa mbere, Ubumwe mu gihugu butsimbatazwa n'intwaro ibereye.**

**Mumenye ko igihugu ari ryo tunga rikomeye rituvukanisha, kuko atawurirushamwo uwundi mu buzima.**

**Indongozi rero ni zibe koko abavyeyi b'abenegihugu, zitunganiriza bose ata mwana n'ikinono. Zikore zitagira nkunzi, Abarundi bose batunganirizwe.**

**Ubutungane busabwa kutirengagiza urubanza ngo ni uko uwukubitwa intahe ari uyu canke uriya, kudaca imanza za ngondagonde, ngo butunganirize uyu ngo burenganye uriya.**

**Abacamanza nibumve ko ata wokorerwa icaha ngo ntatunganirizwe kandi atawokora icaha ngo kirenzweko uruho rw'amazi.**

**<u>Ubwa kabiri</u> : Mu mibano yacu turangwe n'urukundo rugenga ikiremwa muntu, kuko tururahura ku Mana. Mbere ndababwiye nti n'umwansi wawe mukunde, kuko ni ho uzomugira umuntu, akurabiyeko.**

**Niturondere ibiduhuza, tuvavanure n'inzira ziduteranya.**

**Ivyo na vyo bizobonekera mu gukorera hamwe, dusangira akabisi n'agahiye, dusangira ibikorwa n'ikigega.**

**Hagize abatera imbere kurusha abandi na ho, nibibuke ko hari abasigaye inyuma, bahindukire babazamure. Ntimube nka babandi bavuga ngo : « Umukene na nyina aramwanka » canke ngo : « Uwukize akira iwabo », mumenye ko ubunwa butamira ntibuguhe bukoma induru ntiwumve.**

**Tugwanye rero ubukene, kugira igihugu cacu ntikizosubire kuzera inze, kuko uwutigaburira ntiyigaba.**
**Murazi noneho kutigaba aho vyagejeje Abarundi, kuko umwe wese bamutegekera ku vyo bamuhaye.**

**<u>Ubwa gatatu :</u> Dusavye Abarundi kugaruka ku mico myiza yamye iranga Abarundi kuko ari na yo ituma tubona kumwe ibintu, umwe ntace muri iyi nzira ngo uwundi afate iyindi.**
**Aha twovuga nk'inyifato y'ubuntu, kumenya ikizira, gukunda igihugu, kuvugisha ukuri, gukunda ibikorwa, kwubaha abantu n'ivyabo, ubutwari n'ibindi.**
**Tumenye ikizira kandi abakurambere bigishe abakiri bato.**

**Mu gihe twoyidohokako twosanga twarandutse imizi dusanzwe duhagazeko tukibura iyo twibonye.**

**<u>Ubwa kane :</u> Tuzirikane, tumenye ivyo twaciyemwo, tubone aho tugeze n'iyo twerekeza, twunge ubumwe n'Imana maze bitubere inzira yo kwunga ubumwe bwacu.**
**Ivyadushikiye ni uko twari twiciye ku Mana, twigira kure ka gatima mpanuzi k'ubuntu tuyikurako.**
**Tugaruke rero ku Mana, tube umwe nk'uko Imana ari imwe.**
**Nihaba hakiri abafise Imitima ihumanye, imitima y'amacakubiri, nta nkeka Imana izoyuhagira, iyityorore babe abantu b'ubuntu babushitse.**
**Kira noneho, ni twaba mu Mana, mutima mweranda azotwosha dukore ibiroranye.**

**<u>Ubwa nyuma,</u> twige kuja mu makanda y'abatubereye imboneza mu kugumya wa muhivu utwungira ubumwe.**
**Aha twovuga duhereye kuri basokuru batigeze babutirimukako, Rwagasore yatugarukaniye agateka k'igihugu twari twaranyazwe, Ndadaye yaharaniye demokarasi izana intwaro inywanisha, Nkurunziza**

**yakaburiye Abarundi gukunda Igihugu, n'abandi benshi biguze igihugu.**

**Abo ni bo dukwiriye kuja mu makanda yabo, na kare "Uwufise ikimuri ntahakurira hasi".**

23. **Twebwe natwe, nk'uko twiyaturiye kuba abaserukira Reta mvyeyi, Indongozi z'igihugu kuva ku rwego rw'Umukuru w'Igihugu gushika kuri serugo mu muryango, dutegerezwa kuba inkingi z'ubumwe mu kumurikira abandi no mu kugendera iragi rya ba Sokuru.**
24. **Ku binyerekeye, nagira nsubire ndabamenyeshe icese ko mu gihe cose nzoba ndi Umukuru w'iri hanga ry'Abarundi, nta ndyane hagati y'Abarundi nzokwemera ko zisubira mu Burundi.**

    **Uwuzokwumva afise ikimubakiye cotuma yita kuri mugenziwe, araza anyiture nzomutunganiriza.**

    **Kirazira ko mu Burundi dusubira kwumva ngo ko nshavuye reka nice Abarundi, uwuzobikora nawe amenye ko abarundi bakanuye, bazomufata hanyuma acirirwe urubanza abereye.**

25. **Mu gusozera, twashaka dusubire kubipfuriza umusi mukuru mwiza ;**

**Muwuhimbaze mubandanya muzirikana icivugo cahariwe uyu musi:**

**«Ubumwe bw'ukuri bwungwa no gusangira ibikorwa n'umwimbu».**

**Muwuhimbaze mu rukundo ruranga abonse rimwe, abahetswe mu ngovyi imwe.**

**Imana ihezagire Uburundi n'Abarundi;**

**Imana ikomeze Ubumwe bw'Abarundi;**

**Murakoze!**